
www.kidworship.kr

# Mose II

- 15th Story -



101Page



102Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Mose akurira ku kirimba ca Egiputa aba umusore ashitse. Ariko ntiyigeze yibagira abisirayeli umubabaro n'ubuja bari babayemwo. Umusi umwe, ariko arazunguruka inyuma y'ikirimba abona aho umunyegiputa ariko akubita umuheburayo. |
| Umunyegiputa | (Pa! Pa! Urwamwo rw' igipfunsi) haguruka n'ingoga! Hari |
| Umuheburayo | ibikorwa vyinshi!! |
| Uwuvuga | Eeugh- arrgh!! |
| | Abonye umuyegiputa akubita umuheburayo, umwe mu bantu biwe; Mose ararakara. Aca yica wa munyegiputa. Inkuru z'uko yishe umunyegiputa zirasamirana ku kirimba. Farawo avyumvise arondera Mose ngo amwice. Mose ahungira Farawo mu bugaragwa bw'igihugu ca Midiyani. |
| Uwuvuga | ........................................................................................................................ |
| | Mose agerera i Midiyani nk'umwungere. Atangura kwibagira bwa buzima yabaho nk'umwana w'umwami wa Egiputa n'uko abisirayeli bari bagorewe mu minwe y'abanyegiputa. Umusi umwe, Mose atwara amasho yiwe kuyaragira ku musozi Horebu. Aca abona igitangaza. |
| Mose | Huh! Ico gisaka kiriko kiraka urubeya ariko ntikirimbuka! Ivyo vyoshoboka gute? |
| Uwuvuga | Haca humvikana ijwi ry'Uhoraho. |
| Uhoraho | Mose! Mose! |
| Moisés | Uri..uri inde? |
| Uhoraho | Mose! Ndi Imana ya so, Imana ya Aburahamu, Imana ya Isaka na Yakobo. |
| Uwuvuga | Muri ako kanya Mose yipfuka mu maso kuko yatinye kuraba Imana. |
| Uhoraho | Mose , nabonye amarushwa abantu banje bari muri Egiputa barimwo. Numvise gutaka kwabo batakishwa n'ababakoresha babahindagiza. Ngira ndagutume kuri Farawo kugira ngo abantu banje ubakure muri Egiputa! |
| Uwuvuga | Ivyo birushiriza gutera ubwoba Mose. |
| Moisés | Mukiza, mbega ubona ndi iki, guhangara kuja kwa Farawo, no gukura Abisirayeli muri Egiputa? Ndi umuyasoni nyinshindikwega cane mu kuvuga kandi sinzi n'ukuvuga na neza. |
| Uhoraho | Ntugire ubwoba. Nzoba ndi kumwe nawe. Nzokurungikana na mwene wanyu Aroni. Nzokwigisha kuvuga ndakwigishe n'ivyo uzovuga. |



103Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Ni uko Mose na Aroni bagenda muri Egiputa kwa Farawo. |
| Mose | Ni urekure abisirayeli bajabuke ubugaragwa baje gusenga Uhoraho Imana yacu. |
| Farawo | Imana yanyu ni iki? Iri iki kuri jewe? Sindayizi, rero sinshobora kurungika abisirayeli! Ntibikabe! ntibishoboka! |
| Uwuvuga | Farawo ntiyashaka kurekura abisirayeli kuko yashaka ko baguma ari abaja biwe. Farawo amaze kutizera ivya Mose, Mose aca aha inkoni Aroni nawe ngo aterere hasi. Ya nkoni ica ihinduka inzoka. Ariko ntivyatuma Farawo yumviriza Mose na Aroni. Farawo arushiriza ahubwo guturubika abisirayeli. |



104Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Bibabaza Uhoraho. |
| Uhoraho | Mose, hindura inzuzi zose muri Egiputa amaraso. |
| Uwuvuga | Nk'uko Uhoraho yabivuze, inzuzi zose zo muri Egiputa zihinduka amaraso. Habura amazi meza mu gihugu cose ca Egiputa. Ariko Farawo aguma ari intagondwa. Ni uko Imana iteza ivyago vyinshi kuri Egiputa – icago c'ibikere, icago c'imibu, ibibugu, icago gitera ibitungwa vy'abanyegiputa, icago c'inzige n'ubwirakabiri… ariko Farawo ntiyarekura abisirayeli. Ubwa nyuma Uhoraho ateza icago c'icumi. |
| Uhoraho | Mose, imfura zose mu bantu bose no mu bitungano bazopfa ariko inzu z'absirayeli zizoba zisize amaraso y'umwagazi w'intama ku gishimaryango zizorokoka. |
| Uwuvuga | Mu gicugu, humvikana amaborogo menshi muri Egiputa. Kubw'icago ca cumi, imfura zose mu gihugu cose zirapfa. |



105Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Umuhungu w'imfura wa Farawo nawe arapfa. Farawo arateba yumvira ivya Mose aravuga : |
| Farawo | Haguruka! Mvira mu bantu banje, wewe n'abisirayeli! Genda, musenge iyo mana yanyu nk'uko mwabisavye. Hitana amasho yanyu n'imikuku hanyuma mumvireho. |
| Uwuvuga | Abisirayeli barateba bashobora kuva muri Egiputa na Mose. |